Haragahona abavugira ku nsya z'amenyo n'ubwishime hamwe n'ukudadika mu mvugo n'ingiro

Mu vyakiriwe na Abdillaahi mwene Mas'uudi (Imana Allah Imwishimire), yavuze ati: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yavuze iti: "Haragahona abavugira ku nsya z'amenyo n'ubwishime hamwe n'ukudadika mu mvugo n'ingiro". Ivyo yabivuze ibisubiramwo incuro zitatu".

[صحيح] [رواه مسلم]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), arerekana uguteterwa n'agahombo, abavugira ku nsya z'amenyo n'ubwishime hamwe n'ukudadika mu mvugo n'ingiro bazogira; kuko batagendera ku burongozi n'ubumenyi bukwiye mw'idini, mu buzima bwo kw'isi, mu mvugo zibaranga no mu bikorwa bakora, gutyo bakarenga imbibe z'amategeko bazaniwe n'Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

http://sunnah.global/hadeeth/rn/show/3420